Ukwigarurira kazoza k'Uburundi

Kigarama 2020

Mu kiganiro yatanze ku wa 25 Nyakanga 2020, Umukuru w'igihugu Perezida Varisito Ndayishimiye yatangaje ko intwaro yiwe igiye kwugurura ibihe bishasha. Ati : « Ivyakera twarabisezereye ... Mu kahise hariho abantu bazi yuko ukora muri Leta uri igihangange, upfunga uko ushaka ugira gute. Ivyo twarabirenganye turi mu ntwaro ya demokarasi. »

Mu ndwi za mbere zakurikiye amatora, hariho ibimenyetso vy'icizere. Abakuru bo mu mugambwe uri ku butegetsi bari bategetse umuhari wabo w'urwaruka rw'Imbonerakure kwirinda gutera no guhagarika abatavuga rumwe n'ubutegetsi. Benshi mu Mbonerakure baragamburutse, ububisha buragabanuka – vyerekana ingene impinduka nziza zinyaruka kuboneka igihe amategeko atanzwe n'umugambwe uri ku butegetsi.

Ariko nta mezi abiri yaheze Imbonerakure zitarasubira mu ngeso zabo za kera, zihagarika zongera zikubita abakekwa kuba ari abanywanyi b'imigambwe itavuga rumwe n'uwuri ku butegetsi. Ububisha bwariyongereye cane inyuma y'ibitero bitandukanye vyahitanye abantu vyagizwe n'imirwi irwana mu mezi ya Myandagaro na Nyakanga 2020. Ihagarikwa muri Gitugutu ry'uwahoze ari Umushingamateka Fabiyano Banciryanino yari yubahutse kuvuguruza Leta kuvyo yavuga yaranguye mu vyerekeye agateka ka zina muntu ryerekanye ko Leta nshasha ata mugambi namba ifise wo gukura inzitizi ku burenganzira bwa muntu bwo gushikiriza iryo ugona.

Icegeranyo gishasha c'Ishirahamwe Initiative pour les droits humains au Burundi (IDHB) kirerekana ingene intwaro n'agateka ka zina muntu vyifashe mu Burundi kuva mu matora yo muri 2020. Kiravuga ibitero n'ayandi mabi imigwi irwana yegamiye abatavuga rumwe na Leta ikorera abanyagihugu, bikurikirwa n'ihasha Leta ikorera abo bose yiketse ko bakorana n'iyo migwi.

Icegeranyo kirerekana kandi ingene ibihangange mu kudadaza vyo muri CNDD-FDD ari vyo vyiganje muri Leta nshasha, ingene umugambwe wahora ari kizigenza mu yitavuga rumwe n'ubutegetsi, CNL, wazingamye n'ingaruka zavyo ku ntwaro rusangi mu Burundi. Ico cegeranyo kirashira ahabona ukwivuguruza mu mvugo y'Umukuru w'igihugu Ndayishimiye n'ingene hari ikinogo hagati y'ivyo yemera n'ibikorwa.

« Kwikebanura kahise » nk'uko Ndayishimiye abivuga ntivyoroshe kunyura Abarundi igihe cose abategetsi bakuru bakuru batazoba baragondozwa ngo bisigure ku kabi kabishe bakoze mu myaka iheze.

Abategetsi bamwe bamwe batunganya uko guhasha nibo bahawe ibibanza bikomeye muri Leta, hatsimbatazwa gurtyo umukenyuro wa CNDD-FDD woguhasha. Abakuru muri bo ni Alain Guillaume Bunyoni, Umushikiranganji wa mbere, na Gervais Ndirakobuca, batazira Ndakugarika, Umushikiranganji w'Intwaro yo hagati mu gihugu, Iterambere rusangi n'Umutekano. Ico cegeranyo carasesanguye kahise k'abo bagabo babiri, n'uturorero tw'ihonyangwa ridasanzwe ry'agateka ka zina muntu bagirizwa.

Abahohotewe be n'imiryango yabo babwiye Ishirahamwe IDHB ko baguye mu gahundwe kubwo igenwa ry'abo bantu. Impunzi y'Umurundi yagize iti « Ntidushobora kwibagira abo bantu abo ari bo. Ntibashobora kwiyubura, kwiyoberanya bakigira bashasha, ngo bashishikare nk'uko atacigeze. »

Icegeranyo gikwiriye « Ukwigarurira kazoza k'Uburundi » kiri mu gifaransa no mu congereza.

www.burundihri.org
www.twitter.com/@BHRI_IDHB
contact@burundihri.org
+1 267 896 3399 (WhatsApp)